UNITÉ · TRAVAIL · PROGRÈS

# UKURI KUNYWANISHA

Commission Vérité et Réconciliation

*Akatayamara k'Umurwi ujejwe gutohoza Ukuri no kunywanisha Abarundi*

*Q. Kabondo, Avenue du 13 octobre, n°16, www.cvr.bi. Tél. :22 279169 ; 22 280706*

**N°8**
**RUHESHI 2020**

## IBIRIMWO

Ijambo ry'intangamarara 1

Ingingo ngenderwako mu murwi CVR 2

Imirimo y'Umugwi w'igihugu ujejwe ugutohoza Ukuri n'ukunywanisha Abarundi 2

Ivyo Umurwi ufitiye ububasha 2

Ibara ryaraguye mu Mutobo no ku Nyambeho mu 1972 3

Abanyeshule isinzi ba kaminuza y'Uburundi barishwe muri Ruheshi mu 1972 4

## IJAMBO RY'INTANGAMARARA

Umurwi w'igihugu ujejwe gutohoza ukuri ku mabi yashikiriye Uburundi ukaba ari na wo ujejwe kunywanisha Abarundi (CVR) mu mpfunyapfunyo uramaze igihe uri ku kivi.

Umurwi wa mbere wari washizweho n'Ibwirizwa numero 1/18 ryo ku wa 15 Rusama 2014. Umurwi w'ubu na wo wagiyeho hisunzwe ibwirizwa numero 1/022 ryo ku wa 6 Munyonyo 2018.

Mu bikorwa vy'umwiteguro, abagize Umurwi bararinganije isekeza ryo guhimiriza Abarundi bose, mu ntumbero yo kubasigurira ibwirizwa riwugenga n'ingene ibikorwa bitunganijwe, maze bashobore gukurikiranira hafi ibikorwa vyawo, kandi banawushigikire.



*Kuri ino sanamu: Umurwi CVR wari waronse inkuru yemeza ko Umwami Ndizeye Karoli ari we Ntare wa Gatanu yiciwe mw'ikambi y'abasirikare i Gitega, mw'ijoro ry'uwa 29 Ndamukiza 1972, aca ahambwa inyuma y'iyo kambi. Aba mubona ni abakozi ba CVR bariko barondera ibisigarira vya Ntare, ariko ntavyahabonetse (Foto CVR, Ntwarante 2020)*

Mu bikorwa vyagiye birahuza abagize Umurwi CVR n'abenegihugu bo mu mihingo yose Abarundi barerekanye inyota bafise yo kumenya ido n'ido ibiriko birarangurwa, kuko biheza bikaborohera gukurikiranira hafi ivyerekeye iyo mirimo

Hari haciye igihe handikwa mu rurimi rw'igifaransa ibiraba ivyo bikorwa. Kuva ubu, Abarundi nabo bagiye kuvyisomera mu rurimi kavukire. Ni navyo vyobabera kirumara, na kare amabanga Umurwi CVR ujejwe uraba ubwa mbere na mbere Abarundi ubwabo.

Umurwi CVR uboneyeho mbere gushimira uwo wese yagize ico aterera mu gikorwa kijanye no kumenya Ukuri no kunywanisha Abarundi.

Petero Karaveri Ndayicariye

Umukuru w'Umugwi ujejwe gutohoza ukuri no kunywanisha Abarundi

# INGINGO NGENDERWAKO MU MURWI CVR

Mu kurangura amabanga ujejwe, Umugwi CVR ushira imbere ukwerekana aho ukuri kuri, ukunywanisha Abarundi n'ugusubiza agateka abakorewe amabi.

## IMIRIMO Y'UMUGWI W'IGIHUGU UJEJWE UGUTOHOZA UKURI N'UKUNYWANISHA ABARUNDI

Hari benshi bakibaza ico Umugwi CVR ujejwe, bakabaza imirimo urimwo ko ihuye n'amategeko. Ego cane irahuye nyene n'amategeko, kuko ibwirizwa riwushinga riwutegeka ibi bikurikira:

1. Gutohoza no kwerekana aho ukuri kuri ku mabi akomeye y'uguhonyanga agateka ka zina muntu n'amategeko mpuzamakungu yubahiriza ikiremwa muntu yakozwe mu kiringo kiva ku wa 26/2/1885 gushika ku wa 4/12/2008.
2. Kwerekana kamere k'ubwo bubisha bwose.
3. Gutangaza urutonde rw'abantu atawuzi irengero ryabo, abagandaguwe n'intonde z'abakorewe amabi n'iz'amasura bemeye ko amazina yabo amenyekana.

Gutangaza urutonde rw'abantu bitanze bimwe biboneka mu gukingira ubuzima bw'abantu mu bihe vy'amagume atandukanye igihugu caciyemwo.

Gutangaza urutonde rw'abakorewe amabi batanze ikigongwe hamwe n'urw'abakoze ivyaha bagiriwe ikigongwe.

Gushikiriza indinganizo yerekeye ugushumbusha irimwo ingingo zerekeye umuntu umwumwe n'izerekeye abantu bafatiwe mu kivunga, haba mu gutanga ibintu canke mu bijanye n'ugusubizwa agateka hamwe n'ibimenyetso.

Gushikiriza indinganizo y'ibikorwa bishira imbere ukugiranira ikigongwe n'ukunywana.

Gushikiriza igenekerezo ry'umunsi wahariwe kwibukan, ku rwego rw'igihugu, abakorewe amabi ajanye n'uguhonyanga agateka ka zina muntu.

Umurwi CVR kandi ubwirizwa gushikiriza uko hokwubakwa ivyibutso bifise intumbero y'ukunywanisha n'ukwibuka abagandaguwe mu bibanza vyatowe, ku rwego rw'igihugu, urw'intara no ku rwego rw'intango.

Umurwi CVR utegerezwa kandi gushikiriza integuro y'ishirwaho ry'ibindi vyubakwa hamwe n'ibimenyetso bifise intumbero yo kunywanisha.

Vyongeye CVR uzokwerekana uko hosubirwamwo itunganywa ry'inzego z'igihugu kugira amabi yashitse muri kahise ntaze asubire kuba, mu ntumbero y'ukwubaka igihugu kirangwamwo ubutungane n'intwaro rusangi.

Umurwi uzokweranaka uko hokwandikwa gushasha kahise k'Uburundi kuhorizwako na bose.

Umurwi CVR ugomba guterera, nko mu kugira ubushakashatsi ku vyabaye, mu kwandika bushasha kahise k'Uburundi ko mu kiringo ibikorwa vy'umurwi vyerekeye, kugira Abarundi bashobore kuronka ukuri kwerekana kahise gahuriweko kandi kemewe na benshi.

### IVYO UMURWI UFITIYE UBUBASHA

Umugwi CVR ufise ububasha bwo kurengukisha no kwumviriza umuntu uwo ari we wese; gushikira inzandiko izarizo zose, ivyegeranyo n'izindi nkuru zose, vyaba ibifiswe n'inzego, vyaba ibifiswe n'amashirahamwe, ivya leta canke ivy'abikorera utwabo.

Umugwi urafise kandi ububasha bwo gusaba ubutegetsi kuwufasha iyo bikenewe mu gukoresha inguvu n'uguhana bikomoka ku bubasha uhabwa n'ibwirizwa.

Umukozi wa leta azimanganije canke yanse gushikiriza inzandiko Umurwi wasavye, ahanishwa ibihano mpanavyaha n'ibihano bijanye n'akazi. Ukugumya amabanga y'akazi n'amabanga ari mu makete ntivyitwazwa imbere y'Umurwi CVR.

Uwo mugwi urafise n'ububasha bwo kurahiza amasura n'abahinga bafise ivyo bashikiriza mu matohoza agirwa no mu gihe c'ukwumviriza abafise ivyo bashikiriza ku vyabaye. Ukuvuga ibinyoma canke ukurahira nabi uko ari kwo kwose bihanwa hisunzwe n'amategeko.

Umugwi urashobora gutangaza ukoresheje uburyo bwose bukenewe urutonde rw'amazina y'abantu babera intambamyi ibikorwa ujejwe. Nta n'umwe ashobora kwitwaza iki na kiriya kugira yanke gukorana n'Umugwi.

# IBARA RYARAGUYE MU MUTOBO NO KU NYAMBEHO MU 1972

Ubwicanyi bwahitanye abantu isinzi mu 1972 bwahekuye Abarundi bo mu ntara zose, mu miryango yose no mu mirimo myinshi. Abavyiboneye baravyiganiye Umurwi CVR n'amatwi araziba. Bamwe mbere bavuga ko ivyo bintu ari ubwa mbere bavyiganira abandi bantu, kuko bari barabuze uwo boririra, kuva babuze abavyeyi, abo bavukana, abacance, incuti zishika ku mutima n'abagenzi. Kandi benshi bamaze kuyaga ivyabo, bavuze ko batashe baremurutse ku mutima.

Bavuga ko mu rwimo rw'1972, ariho himbwa ibinogo rusangi vyatawemwo abantu, ku Ruvubu, mu Mutobo na Nyambeho, be n'ahandi henshi. Bavuga ko ubwicanyi bw'ico gihe bwahama cane cane abantu b'ubwoko bumwe, bukaba bwahiga abize, abifise, abigisha abihebeye Imana, abashikiranganji, abakozi bakuru bakuru bo muri Leta, abasoda, abajandarume, abadandaza, eka nyene abo bantu bifise, bifitiye agakinga, akaradiyo, inzu y'amabati… Bati yamara rero naho uruhigi rwari rutumbereye abantu bo mu bwoko bumwe, hari n'abandi rwahitanye kuko bitiranijwe n'ubwo bwoko canke bafise ico bapfa n'ababahama.

Ico gihe ngo abashingantahe batiwe bo ku mitumba, bari barengewe. Ngo ubwanwa bwari bwapfutse umunwa. Nta n'ijambo bari bagifise. Ngo abafatwa bahamagarwa ku ntonde zanditse, bakajanwa mw'ibohero rikuru ry'i Gitega, ari na ho ibiduga vyabakura, ari bazima canke bapfuye, bagiye gutabwa mu binogo rusangi vyaba vyimbwe.Baratubwiye kandi ko urwaruka rwegukira umugambwe rwakoreshejwe cane mu gufata abantu, batumwe n'abatware b'ico gihe, ba musitanteri na ba conseillers. Ico gihe ngo abashingantahe batiwe bo ku mitumba, bari barengewe. Ngo ubwanwa bwaro bwapfutse umunwa. Nta n'ijambo bari bagifise. Ngo abafatwa bahamagarwa ku ntonde zanditse, bakajanwa mw'ibohero rikuru ry'i Gitega, ari na ho ibiduga vyabakura, ari bazima canke bapfuye, bagiye gutabwa mu binogo rusangi vyaba vyimbwe ku Ruvubu. Abashikanwayo bagihema, baca bahohoshwa n'abasirikare bagaca bafurirwa n'ibimashini. Ngo nta wagiye muri ivyo biduga yigeze agaruka. Ivyo biduga vyaza kubaseha, ngo bavyita Ngeringeri.

Ariko abaje kwitura Umurwi CVR bose bemeza ko umubano wari mwiza imbere y'urwimo rw'1972. Bavuga kandi ko bumva inkoho ziturugurika, bakumva na bamwe mu bariko baricwa bataka batakamba, bamwe basaba imbabazi, abandi basenga, abandi baririmba indirimbo z'Imana. Ibimashini vyabimbira ngo vyakora mu gitondo hagati y'isaha zitatu n'isaha zitandatu, bigasubira inyuma y'isaha icenda y'umuhingamo. Ayo marorerwa yakozwe mu kiringo c'amezi abiri, mu kwa gatanu no mu kwa gatandatu k'umwaka w'1972. Abatawe ku Ruvubu, i Nyambeho, i Mashitsi no mu Mutobo ngo bava mu ntara za Muyinga, Karusi, Giheta, Bukirasazi, Ngozi, Ruyigi n'ahandi. Ababibonye bavuze ko bumva abagiye kwicwa baririmba ngo '*Twese tuzopfa ntawuzorusimba*'.

Bagifatwa, abaja kwicwa babanza kubohwa, bagatererwa mu biduga nka kurya bapakira imifuko y'isima ; abahirahira ngo baje mu vyo kunana bakaba barakubitwa bagashaya. Bashitse mw'ibohero, imiryango yabo yarabagemurira, ariko ivyo izanye ntivyabashikira namba. Mu gufatwa, bagirizwa ko ari abamenja, bariye amafranga yo kugurisha igihugu.



*Aha ni ku Nyambeho. Abakozi ba CVR bariko bararondera ibisigarira vy'abahatawe mu 1972*

Ngo hari ababanza gucanwa mu busho bwa komine mu kurindira ko bajanwa mw'ibohero rikuru y'i Gitega. Mu kubazana, baza barakubitwa, bagirirwa nabi cane, gushika naho bamwe bacikanira mu nzira. Hari n'abatashikanwe mw'ibohero rikuru i Gitega, batawe mu ruzi Ruvubu.

Bamwe mu bari abanyororo i Gitega muri ico gihe, bariganiye umurwi CVR ko abo biswe abamenja bari bafashwe nabi cane aho bari bapfungiwe. Nta mfungurwa baronka, bakaba bari benshi ikirenga ntibaronke uko bari buheme, barakubitwa nk'inzoka…kandi abo bose bishwe, nta rubanza bari baraciriwe.

Ibiduga bibiri canke bitatu ni vyo vyatwara ku musi ku musi abanyororo bagiye gutabwa mu binogo rusangi basanga vyimbwe. Ngo baba baboshwe, bacunzwe n'abasirikare bari kumwe n'abanyororo batowe mu bandi kugira babafashe guhenurira imivyimba mu binogo. Aho ivyo biduga vyaca mu mabarabara ngo harangwa n'amaraso gusa.

Haba ku Ruvubu, haba aho ku Nyambeho, i Mashitsi canke mu Mutobo, ibinogo vyimbwa n'imashini. Muri ivyo binogo, hari kimwe ku Ruvubu twasanze ari imanga ifise uburebure bwa metero 10, ubwaguke bwa metero 9 n'igice n'ubumanuko bwa metero zibiri n'igice.

Muri ivyo bihe vyose, abituye Umurwi CVR bemeza ko uruhigi rw'abantu rwari rushingiye ku bwoko kandi ko ari abantu bake cane bashoboye gukingira abandi bariko barahigwa buhongo. Umurwi wacu CVR warashoboye no kumenya abantu batari bake bishwe bongera batabwa muri ivyo binogo rusangi.

# ABANYESHULE INSINZI BA KAMINUZA Y'UBURUNDI BARISHWE MURI RUHESHI 1995

Harageze neza na neza imyaka 25. Ijoro ry'uwa 11 buca ari uwa 12 Ruheshi 1995 ryabaye rirerire ku banyeshule bo ku Mutanga, kw'ishule kaminuza y'Uburundi. Hari mbere bamwe muribo iryo joro ryabaye irya nyuma kuri ino si y'abazima.

Abo nabo ni nka Ndayisaba Alexis, Rurimunzu Gordiano, Nzohabonimana Stany, Bavakure Yozefu, Manirakiza Paskali, Ndikumukiza Dieudonné, Bizimana Alfonse, Niyonkuru Léonidas, Mpawenimana Venansi, Gateretse Leonsiyo, Macumi Laurenti, Ndayihimbaze Serejiyo, Nshimirimana Gustave, n'abandi barimwo n'abigeme bari bageze mu bigero nka Niyonzima Florida.

Kandi abo bose bishwe na bagenzi babo bari basangiye imirimo yo kwiga muri Kaminuza yitiriwe « Urumuri ». Iryo bara ntiryaguye ku Mutanga gusa muri iryo joro. Kuko inganda zaratiye n'i Zege mu ntara ya Gitega be n'i Kiriri mu buraro bwa Kaminuza nyene i Bujumbura.

Mu banyeshule barusimvye, harimwo mbere na Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu mushasha Ndayishimiye Evaristo. We na bagenzi biwe, aho baboneye bomowe muri kaminuza, baciye bahitamwo gufata inzira yo mw'ishamba kugira batanguze urugamba rwo kugaruza umuheto intwaro ya demokarasi ibereye Abarundi.




*Aha ni ku Mutanga, mu kigo ca Kaminuza, aho Umurwi CVR wariko urarondera ibisigarira vy'abanyeshule boba barahahambwe (Photo CVR, 9/6/2020)*

Aho hantu abo banyeshule bagandaguriwe na bagenzi babo, haratanguye kwubakwa icibutso kizokwama cibutsa n'abandi iryo bara ryaguye, ariko atari mu ntumbero yo kwihora, ahubwo ari iyo kugira ngo « NTIRIKABE KANDI ».

Umuyobozi w'ishule kaminuza y'Uburundi, umushingantahe Havyarimana François yabwiye abari aho ko Umurwi CVR waje gutangura gutohoza ivyabereye muri Kaminuza kubera aho hantu hashobora kuba harahambwe abantu benshi ikivunga.



*Iki ni icibutso kiriko kirubakwa mu kigo ca Kaminuza y'Uburundi ku Mutanga. Ni ic'abanyeshule bagandaguwe ku wa 11 Ruheshi 1995*



*Komiseri Aloyizi Batungwanayo wo mu murwi CVR ari kumwe na François Havyarimana, Umuyobozi wa Kaminuza y'Uburundi (Photo ® CVR)*

**Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Evaristo Ndayishimiye,** ku musi wa kane igenekerezo rya 18 Ruheshi 2020, igihe yashikira intebe yo kurongora Uburundi, yavuze ahagaze ku murwa mukuru i Gitega, ati : « Na vyaha vyatunzigamika, eka n'ayandi matati yo muri kahize, hariho imirwi CVR ujejwe kumenya ukuri y'ugusubiza hamwe na CNTB ujejwe gutatura amatati y'amatongo n'ayandi matungo, bazobatunganiriza. Kandi nagira menyeshe ko iyo mirwi y'igihugu ijejwe ubutungane bunywanisha, tuzoyishigikira bimwe biboneka mu ntumbero yo kuyifasha gusozera ibikorwa ijejwe. Abahuye n'ivyago vy'ubwicanyi bwabaye muri kahise, turazi ko bakeneye guhozwa no guhumurizwa. Abarundi, cane cane urwaruka rw'ubu na kazoza, dukeneye ko bahakura icigwa ko ata kibi cijana n'aho hoba haheze imyaka ingana iki »

*Umwanditsi: Gérard MFURANZIMA*

*Amasanamu: Leon BIZIMUNGU*